Bujumbura, kuwa 05 nzero 2018 vol 001/018 UKURI

ABEPISIKOPI KATORIKA BI BURUNDI BASABA GUCUNGERERWA UMUTEKANO MU NAMA BARIMWO.

Inama Nkuru y'abepisikopi katorika bi Burundi barasaba inzego z'umutekano gufasha mu gikorwa co gucungera umutekano, mu nama ihuza umurwi w'amahoro w'abepisikopi bo mu karere ka Afrika yo hagati.

Nkuko tubisanga mw'ikete rya teweko umukono na Musenyeri Joachim Ntahondereye arongoye ihuriro ry'abepisikopi katorika mu Burundi, amenyesha ko iyo nama izohuza abepisikopi bavuye mu bihugu bine arivyo igihugu c'Urwanda, igihugu c'Uburundi, igihugu ca Republika Iharanira Intwaro Rusangi ya Kongo, hamwe n'abavuye i Roma.

Muri iryo kete, Musenyeri Joachim Ntahondereye amenyesha ko ku munsi wa gatanu igenekerezo rya 12 Nzero 2018, abo bepisikopi bazogendera impunzi ziri mw'ikambi y'impunzi i Bwagiriza mu ntara ya Ruyigi, mu ntumbero yo kwerekana ugushigikirana, kandi ko ishenegero katorika rishigikiye impunzi.

Musenyeri Joachim Ntahondereye akamenyesha ko babimenyesheje abajejwe umutekano, kugira bafate ingingo zose zikenewe zo gucungera umutekano aho abo bepisikopi katorika bazoca.

Iyo nama iriko ibera muntara ya Gitega mu nyubakwa zitiriwe umweranda Jean Paul II, kuva kur'uyu wa kabiri igenekerezo rya 9, ikazorangira kw'igenekerezo rya 13 Nzero 2018. **I.Axel**

MU NTARA YA CANKUZO IMVURA NYINSHI ITEYE UBWOBA YONONYE AMAZU MENSHI N'IMIRIMA.

Amazu n'imirima itari mike nivyo vyononekaye inyuma y'imvura irimwo urubura n'umuyaga yaguye ku muhingamo wo kur'uyu wa mbere igenekerezo rya 8 Nzero 2018, ku murwa mukuru w'intara ya Cankuzo no mu micungararo yaho.

Amakuru ava aho mu Cankuzo amenyesha ko iyo mvura yatanguye kurwa nk'igihe c'isaha umunani, itaguye umwanya munini, ariko yatumye amazu yo mu makaritiye yo ku murwa mukuru w'intara ya Cankuzo nka Amsar, Ndava n'ahandi ariho ibintu vyononekaye cane.

Ayo makuru amenyesha ko amazu amwe yabomotse ayandi ibisakazo vyayo bigururwa n'umuyaga, mu gihe imirima y'ibigori n'ibiharage nayo yononekaye bivuye ku muyaga n'urwo rubura.

Abanyagihugu bo ku murwa mukuru w'intara ya Cankuzo bavuga ko ubuzima butagiye kworoha, kuko uburaro bwononekaye n'ibiterwa bikononekara.

Bagasaba ababishoboye kubagarukirako, kugira barabe ko boshobora kwiyungunganya ubuzima bugasubira kubandanya naho bitoroshe. ***M.Dior***

UBUTEGETSI BWA PETERO NKURUNZIZA BWARATANGUYE GUKWIRAGIRA MU GIHUGU KUBWIRA ABARUNDI GUTORA EGO.

Mu gihe hari imyidogo ya bamwe bavuga ko muri Reta bariko barirukanga mu gihugu hagati kurarikira abanyagihugu kwemeza ibwirizwa nshingiro,umwunganirizi w'umushikiranganji w'intwaro yo hagati mu gihugu, akaba n'umuvugizi w'ubushikiranganji amenyesha ko Reta ifise uburenganzira bwo kubikora.

Mu kiganiro yahaye abamenyeshamakuru kur'uyu wa mbere igebekerezo rya 8 Nzero 2018, Therence Ntahiraja avugira ubushikiranganji bw'intwaro yo hagati mu gihugu yavuze ko,mu gihe Reta ariyo yateguye ibwirizwa nshingiro itogaruka ngo yivuguruze.

Therence Ntahiraja avuga ko mu kurindira ko umurwi utegura amatora CENI utanga uburenganzira ku bandi bwo gusigurira abanyagihugu ibiri mw'ibwirizwa nshingiro ryahinyanyuwe,abategetsi b'igihugu aribo bonyene bafise uburenganzira bwo kubikora.

Umwunganirizi w'umushikiranganji w'intwaro yo hagati mu gihugu akaba n'umuvugizi w'ubushikiranganji asaba abandi banyeporitike kurindira umurwi utegura amatora CENI ugatanga uburenganzira.

Mu murwi wa Petero Nkurunziza witwa ko uriko urategura ayo amatora CENI, babicishije ku muvugizi wawo Prosper Ntahorwamiye, amenyesha ko abavuga ko hatari bwagere ko, abasigura ivyahinyayuwe mw'ibwirizwa nshingiro bahamagarira abarundi gutora EGO, kuko hari ikiringo bitegekanijwemwo n'amategeko.

Nimugihe bamwe n'abandi bobo batarya umunwa bamenyesha ko ivyo vyo kwitaba amatora ngo yoguhindura ibwirizwa nshingiro atamurundi yo honyozayo nikirenge. **A.Axel**

UMUGAMBWE MSD WARAGIZE ICUSHIKIRIZA UBICISHIJE KU MUVUGIZI WAWO EPITHACE NSHIMIRIMANA.

Epithace Nshimirimana umuvugizi w'umugambwe MSD amenyesha ko kugenda gutora Oya canke kugenda gutora Ego ataco bimaze kuko ngo abazomenyesha ivyavuye muri ayo matora ari babandi basanzwe barivye n'amatora yo mu 2010 no mu 2015.

Umuvugizi w'umugambwe MSD agahamagarira ahubwo abarundi bose iyo bava bakagera kuva hasi atanumwe avuyemwo ngo aho gupfungwa bazira ko bagiye kwigisha gutora Oya ngo bahaguruke bose bagwanye ahubwo bivuye inyuma iryo bwirizwa rishasha ngo mbere nabo mu mugambwe CNDD-FDD ko badakwiye gusigara inyuma.

Epithace Nsimirimana akongerako ko kutava hasi ngo barwanye iryo bwirizwa nshingiro bitazotuma Nkurunziza ahagarika kwica abarundi, gufunga abarundi no kwangaza abarundi ngo kandi bitazotuma amagorwa atagira izina abarundi barimwo ahagarara.

Umuvugizi w'umugambwe akagirako asaba amakungu kutabandanya kurorera kwahubwo yofata ingingo zo guhagarika ingingo yo kugomba gukuraho ibwirizwa nshingiro.

Uyo muvugizi w'umugambwe akabwira abarundi ko uko bigenda kose urwo rugamba abarundi batanguye bazorutsinda ati nta baporisi Nkurunziza afise bazoshobora gutangira abarundi bose nibahagaruka, ngo nta basirikare canke Imbonerakure zizoshobora kubuza intsinzi yabarundi.

Aho ni mugihe amashirahamwe yigenga, imigambwe ihurikiye mu runani CNARED GIRITEKA umugambwe MSD usanzwe urimwo itavuga rumwe n'ubutegetsi bwa Petero Nkurunziza nayo nyene iheruka gushikiriza kwabarundi bose bategerezwa guhaguruka atanumwe avuyemwo. **Q.iriho**

UMUSHIKIRANGANJI AJEJWE EAC ARAVUGA IGITUMA BADASHIKA KU MAHANGIRO BARI BISHINZE RY'IVYOKORWA MURI IRYO SHIRAHAMWE UBURUNDI BURIMWO.

Umushikiranganji mu biro kwa Petero Nkurunziza ngo ajejwe imigabo n'imigambi mu muryango w'ibihugu bigize Afrika y'Ubuseruko, amenyesha ko mu bushikiranganji arongoye hari vyinshi vyaranguwe mu mwaka wa 2017.

Isabelle Ndahayo, avuga ariko ko uburyo bwategekanijwe ari buke bigatuma mu bushikiranganji badashika ku mahangiro amwe amwe n'umwimbu wari witezwe akavuga kandi ko n'intambayi zitabuze mw'ishirwa mu ngiro ry'imigabo n'imigambi yo kwinjira mw'ishirahamwe ry'akarere ka Afrika y'Ubuseruko.

Amenyesha ko bagiye no kubandanya igikogwa kijanye no gusanisha inzego n'amategeko y'uwomuryango wa Afrika y'Ubuseruko,guhagarikira inyungu z'igihugu kugirango Uburundi bugire akarusho na cane cane mu migambi ijanye n'inyubako nk'amabaraba, indarayi, amasoko ntanganguvu, hamwe no kuronka akazi.

Ariko naho abivuga gutyo abatari bake bakabona kwari ukwibesha kubera yuko ingorane nyamukuru iva kungorane zidasanzwe ziri mu gihugu c'uburundi kandi zatewe na Petero Nkurunziza mu gusenyura ibwirizwa nshingiro n'amasezerano ya Arusha rikomokako bakamenyesha kwinzira yo gutorera inyishu ivyo bibazo vyose itazoshoboka hakiriho ubutegetsi budakurikije amategeko.

Mbere bamwe bakamenyesha ko ivyo bihugu bivurwa vyari bikwiye nyabuna gufasha gutorera umuti w'ingorane zihanze uburundi na cane cane mu kwitaho ikibazo c'abarundi bahungiye muri ivyo bihugu bitandukanye hamwe mbere nicabarundi bafungiwe mu busho butandukanye bwo hagati mu gihugu. **B.Armel**

COSYBU NA CSB, AMAHURIRO Y'AMA SENDIKA YO MU BURUNDI ASABA IBIGANIRO KU NTERERANO YAGENEWE AMATORA.

Mw'ikete ryo kuruyu wa mbere itariki 8 Nzero 2018, amahuriryo y'ama Sendika akorera mu Burundi ariyo COSYBU, (Confédération des Syndicats du Burundi), hamwe na CSB (Confédération des Syndicats Libres du Burundi), bandikiye ubushikiranganji bw'intwaro yo hagati no gukundisha igihugu, hamwe n'ubushikiranganji bw'ikigega ca reta, basaba ko hotunganywa ibiganiro ku bijanye n'ingingo nshikiranganji, nomero 530/540/1779 yo kuwa 11 Kigarama, isaba abarundi guterera amatora ya 2020.

Ayo ma Sendika akaba asaba ubwo bushikiranganji kuba barabangira gukura ku mishahara y'abantu amahera yagenewe amatora, mu gihe ivyo biganiro bijanye no guterera amatora bitoba biratangura.

Aho ni mugihe iyindi mirwi yabarundi nkabirimizi n'abandi batagira ayo bacira nayo bamira kukwibaza ingene bashobora kuzoronka ingene bishura ayo ma franga yintererano bariko barasabwa mu gihe basanzwe bari mu ngorane zidasanzwe.

Twobutsa ko imirwi itandukanye yabarundi muri kino gihe yahagurutse mu ntumbero yo kwiyamiriza iryo tozwa ry'intererano bakavuga ko muri kino gihe igihugu kiri mu ngorane zidasanzwe abarundi batari bakwiye gutonekwa ngo bakwe intererano izi canke ziriya. **B.Kanyambo**